
# Bibiliya y'Abana
Ishikirije



# Dawidi Umwami (Igice Ca 2)

Yanditswe na: Edward Hughes

Amashusho ashirwamwo na:
Lazarus; Alastair Paterson

Itunganywa na: Ruth Klassen

Isobanurwa mu Kirundi na:
Manurakoze Pacifique

Yateguwe na: Biblefor Children
www.M1914.org

©2024 Bible for Children, Inc.
Uburenganzira: Murafise uburenganzira bwo kwimura canke gusohora ku mpapuro iyi nkuru mugihe gusa mutayigurisha.



Dawidi yari umwami y'i yudaya, mu bumanuko bwa palesitina. Ariko igice gisigaye ca isirayeli bafata Ishibosheti, umuhungu wa Sawuli, ngo ababere umwami. Intambara isasika inganda kumara imyaka indwi ariko dawidi we yagenda arushiriza gukomera.




Impera n'imperuka umwami ishibosheti yicwa n'abasoda babiri bo mungabo ziwe.




3

Maze imiryango yose ya isirayeli iza kuri dawidi iramwimika ngo abe umwami wa isirayeli. Mumyaka itari mike, Dawidi yabaye umwami w'ihanga rya isirayeli ryose.




4

Ikintu ca mbere umwami dawidi yakoze kwabaye gufata Yerusalemu. Haca hamenyekana nk'umurwa wa Dawidi. Aca ahubaka nk'ahantu h'inkomezi ho kurwanya abansi biwe. Bavuye i yerusalemu, ingabo za dawidi zija kwigarurira abafilisitiya n'abandi bansi ba isirayeli.



5




Munyuma, umwami dawidi agarukana isandugu y'Imana i yerusalemu. Iyo sandugu yarimwo vyabisate vy'amabuye vyariko amabwiriza cumi n'ayandi mategeko Imana yari yahaye Mose. Isandugu yibutsa ab'isirayeli ukwera kw'Imana n'uko bakeneye kuyumvira.

6




Dawidi yagwanye intambara nyishi mumyaka yambere y'intwaro yiwe. Yari umusirikare yiteguye kandi aciye bugufi yasenga kugira ngo Imana imurongore.

7



Vyarababaza cane Dawidi kuba afise inzu nziza cane yo kubamwo ariko isandugu y'Imana ikaguma mw'ihema. Dawidi afata ingingo yo kwubaka ingoro y'Imana. Natani, umuvugishwa n'Imana, amutera umwete wo kuyubaka.

8




Iryo joro nyene, Imana irungikira dawidi ubutumwa ikoresheje Natani iti: “Uhoraho akumeneyesheje ko azokwubakira inzu. Igihe imisi yawe izoba iheze, aho uzoba umaze guhamvya ba so, nzohagurutsa uruvyaro rwawe ruzogukurikira. Inzu yawe n’inganji yawe bizokwamaho, intebe yawe izokwama ihangamye.”

9

Dawidi yipfuza gufasha amasigarira yo mumuryango wa sawuli. Abona mefibosheti gusa, umuhungu wa yonatani. Yari yaramugaye ibirenge. Dawidi avuga ati: “Azorira kumeza yanje, nk’umwe mubahungu b’umwami.” Yonatani yari umugenzi adasanzwe wa dawidi.




10




Mumyaka yose dawidi yizeye Imana kandi akayumvira, Imana yagiye ifasha dawidi kuroranirwa. Ariko umusi umwe igitutu giteye ubwoba kirwa k’ubuzima bwa dawidi. Arungika ingabo ziwe muntambara, ariko we yigumira i yerusalemu. Ijoro rimwe, bimwankira kuryama, agendagenda hejuru kunzu yitegereza igisagara.

11

Dawidi abona umugore mwiza yariko ariyoga. Yitwa batisheba. Dawidi akorana icaha na we, mugihe umugabo wiwe Uriya yari umwe mungabo ziwe zikomeye. Batisheba amaze kubarira dawidi ko yasamye inda, dawidi amenya ko icaha ciwe kizotera ingorane nyishi.



12




Aho kwishikanira Imana, dawidi yahisemwo kunyegeza icaha ciwe. Ivyo ntivyigeze bikunda! Agarukana uriya amukuye k’urubuga rw’intambara, yizeye ko azokwibaza ko uwo mwana azoba avutse azoba ari uwiwe. Ariko uriya aranka kuja iwe mugihe bagenzi we bari m’urugamba. Aryama kumbuga y’inzu y’umwami.


13

Maze dawidi akora ikindi kintu kibi cane. Asubiza uriya muntambara amurungikanye icete gisaba intwazangabo kumenya ko uriya yiciwe muntambara. Dawidi aca afata batisheba aramwabira.



14


Imana irungika umukozi wayo Natani, kugira yereke dawidi uburemere bw'icaha yakoze. Amwiganira inkuru y'umuntu w'umutunzi n'umuntu w'umworo. Umutunzi yari atunze intama nyishi, ariko umuntu w'umworo yari afise akagazi k'intama kamwe gusa, ako yafata nk'umwana wiwe.
15


Wa mutunzi agendewe n'umushitsi, ntiyashaka kwica intama imwe muri zimwe atunze kugira azimane uwo mushitsi. Aca afata kakagazi k'intama ka wamworo.
16


Ishavu rya dawidi rica rirakarira uwo muntu w'umutunzi yakoze ivyo. Aravuga akaze ati: "Umuntu yakoze ivyo, akwiye gupfa."
17


Natani abarira dawidi adakikiriza ati: "Uwo muntu ni wewe". Ico dawidi yari yakoze cari kibi cane gusumba ivyo uwo muntu w'umutunzi yavugwa muri iyo nkuru yari yakoze.
18


Imana yariko yereka dawidi ko atsinzwe imbere y'Imana. Kandi dawidi yarababajwe n'icaha yakoze. Aca aravuga ati: "Nacumuye k'Uhoraho. Nakoze ikibi." Kandi Imana ica iharira icaha ca dawidi. Ariko umwana wa Batisheba ararwara araremba, aca apfa inyuma yo kuvuka kwiwe.
19


Imana iha ikigongwe dawidi kucaha giteye ubwoba yari yakoze. Maze batisheba avyara uwundi mwana, Salomo, yabaye umwami akomeye inyuma ya Dawidi. Ariko dawidi yaravyaye abandi bana beshi, muribo hariho abamuteye umubabaro ukomeye.
20

Dawidi Umwami (Igice Ca 2)

Inkuru ivuye mw’Ijambo ry’Imana, Bibiliya

tuyisanga muri

2 Samweli 1-12

“Guhishurirwa amajambo yawe kuzana umuco, guha abatungu ubwenge.” Zaburi 119:130



# Iherezo

21 60



Iyi nkuru ya bibiliya itubwira kuvyerekeye Imana yacu y'igitangaza yaturemye kandi igashaka ko tuyimenya.

Imana irazi ko twakoze ibibi, arivyo yita icaha. Igihano c'icaha ni urupfu ariko Imana iragukunda cane yarungitse umwana wayo w'ikinege, Yesu, gupfa ku musalaba kugira ahanwe kubw, ivyaha vyawe. Hama Yesu asubira kubaho aca agenda I muhira mw'ijuru. Niwizera Yesu ukamusaba aguharire ivyaha vyawe, azobikora. Azoza abe muri wewe, hama uzobana na we ibihe bidashira.

Niwizera uko ni ukuri, bwira Imana ibi:
Yesu mwiza, ndizera ko uri Imana, kandi wacitse umuntu ugapfa kubera ivyaha vyanje, hama ubu ukaba uri muzima. Rero ingo mu bugingo bwanje hama uharire ivyaha vyanje, kugira ngire ubugingo bushasha, hama umunsi umwe nze mbane na we ubugingo budashira. Mfasha kugira ndakwumvire kandi mbeho ku bwawe nk'Umwana wawe. Amen.

Soma bibiliya hama uvugane n'Imana iminsi yose. Yohana 3:16